**UKUVUKA KWA YESU**

**ICIRWA CA :37**

**Matayo 1:18-25; Matayo 2:7-23**

Ijambo ngenderwako :" ***« Ariko abamwakiriye bose, yabahaye ububasha bwo gucika abana b'Imana, nibo bizeye izina ryiwe. »*** **Yoh. 1:12**

**I. Ivuka rya Yesu rimenyeshwa abana babantu.**
Umumarayika arivuga ngo : « *Ndi Gabuliyeri uwama ahagaze imbere y'Imana* » bamwe mu bamenyeshejwe iyi nkuru ni aba :

**1.** Zacharias, amenyeshwa ivya Yohani Batisita uwari yatoranijwe kuba integuza y'Umwami Yesu.
**2.** Mariya yari yatowe kuzovyara Yesu mu buryo bw'umubiri: **Luka 1:31** *« Ntaco utinya Mariya, umve uzosama inda, uvyare umuhungu, kandi uzomwite Yesu*. »

**3.** Yosefu: Uyu yari umusore yari yashiriweho kuzoba umuvyeyi murezi wa Yesu. **Mat. 1:18** « *Mariya nyina wiwe yari akowe na Yosefu…* » Ntiyigeze yegera Mariya gushika avyaye.
**4.** Abungere: **Luke 2:10 :** « Ntaco mutinya, umve ndababwira ubutumwa bwiza bwakanyamuneza kenshi kazoba ku bwoko bwanyu bwose, »

**5.**Abanyabwenge b'inyenyeri

## II. Imyifato ya Yosefu

**Mat. 1:18-21.** Yosefu yari yarakoye Mariya. Yiteguriye kumurongora, amubona afise inda. Ibi vyaramugoye kuvyakira mu mutima, ari naho yiyumvira kumubengera mu mpisho ngo bibaye ngombwa inkwano anazihebe. Kubera Imana ari Urukundo, yamusavye kutamubenga nk'uko ariko aravyiyumvira, imumenyesha ko Iyo nda ari iya Mpwemu Yera kandi izovukamwo Umukiza w'abantu. Aravyumvira aramutwara ariko ntiyigera amwegera gushika. Nyuma bavyaranye abandi bana**. Matayo 13:54-56**

Hari abatari kwemera gutwara umukobwa babonanye inda. Imana mugutoraniriza umuntu uwo bazobana, imironderera uwo bakwiranye. ***Itang. 2:18 « Hinge ndamuronderere umufasha bakwiranye »*** Yosefu yavyifashemwo uko kuko yari yamuhawe n'Imana (bari bakwiranye).

Iyi myiato ishimishije ya Yosefu, yatewe n'uko yari umugororotsi koko. Yumvira Imana nka Aburahamu adakekeranya. Ingo nyishi zisamburwa n'uko habura kuvugana no guhurizahamwe ku kibazo icarico cose. Hari n'abagabo batari kwemera ico gikorwa co kumwihanganira gushika yibarutse

Mbe bishitse uwo mubana agatwara inda akuye ahandi canke agatwaza inda uwo hanze wovyifatamwo gute ? Urukundo rwihanganira vyose.

## III.Umugambi w'Imana ku bantu.

Ubu butumwa bwavuzwe n'umumarayika, yari inkuru nziza ku kiremwamuntu. **Mat. 1:21b** « *Kuko ariwe azokiza abantu biwe ivyaha vyabo.*» Biboneka ko Yesu yazanye n'umugambi wo gusangangura ibikorwa vya Satani mw'isi akongera akabohora ababoshwe n'umurwanizi ; akabaha umwidegemvyo maze abamwizeye bagahinduka abana n'abigishwa biwe.

### IV. Abanyabwenge b'Inyenyeri.

**Mat.2 :1-2 ;11**. Aba bari abahinga mubijanye n'ivy'ikirere. (Astronomie) bari bavuye mu bihugu vy'ubuseruko. Babonye inyenyeri yiwe. Igihe cose havuka umwami mu Bayuda ; haraboneka inyenyeri ben'iyo ; ari naco catumye Herode uwari umwami bimushavuza kuko atumva neza ivuka ry'uwundi mwami akiriho.

Bamaze kubimenya barayikurikiye baraza kumushikanira. (amashikanwa, inzahabu,bimibavu n'insenga.) ibi zari ingabire z'igiciro kinini zari zibereye guhabwa Umwami. Natwe muri iki gihe co kwibuka ivuka ry'umwami ni vyiza ko dufata kuvyo Imana yaduhaye tukabishikana mu ngoro yayo ngo bimuheshe icubahiro.

### V.Ubuzima bw'urugo rwa Yosefu

Abavyeyi ba Yesu bari abakene. Yosefu yari umubaji, ari naco catumye atashoboye kujana Mariya kuvyarira mu bitaro bikomeye vyo muri ako karere. Ikiboneka ni uko na Yesu yakuriye mu buzima bugoye cane bwa hano kwisi. Niko Imana yabishatse kugira abaciye bugufi ntibaze bibaze ko batizerwa kugira ico bamara mu gikorwa c'Imana.

### VI. Gushira mu ngiro.

Yesu ubwiwe yaremeye kuza mw'isi kugira ngo acungure uwo wese amwizeye, uyu musi aragusaba ko wemera ukamwizera akavugira mu mutima wawe.

Avuga ati ***: «** Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije, umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura umwango, ndijira i we, dusangire **» Ivyah. 3 :20*** nawe arakubaza ko wokwemera ukugurura umutima wawe, akinjira mugasangira akaguha ubugino budashira.

Niba wizeye uwasamwe ata gicumuro, Yesu Munyanazareti, urashobora kuvuga ubu nyene uti : ndemeye mukiza ingo uvukire mu mutima wanje ubu nyene.

HAPPY CHRISTMAS.